Abatanga  impanuro bo muri- ADIS-
bazokunviriza hanyuma  muvugane kubijanye:

- N'akakubakiye canke amakenga ufise,
- N'ifashanyo zihari kugira zigufashe,
- Canke urungikwe ku bandi bashobora kugufasha gusumba.

**Abasiguzi  barahari kandi nabagusa.**

ADIS ifise abahinga banonosoye ivyo guhanura, bitaho abantu, batanga impanuro zitomoye, kandi batanga n'izindi nfashanyo zitandukanye harimwo:

- Kuguha impanuro zerekeye ivy'inzoga n'ibiyayura mutwe kuri telephone.
- Amakuru ajanye nivy'inzoga, ibiyayuramutwe n'umubiri wawe.
- Amakuru y'ifashanyo za muganga kubijanye n'inzoga n'ibiyayuramutwe.



**Ntiwibagire guterefona - ADIS- nimba ukeneye amakuru canke imfashanyo!**

**Hamagara ADIS kuri: 9442 5000 canke 1800 198 024 telephone ni kuri gusa kubahamagaye bari muri Australia**

Ukoresheje Internet andikira: adis@health.wa.gov.au
Web: www.dao.health.wa.gov.au
Rungika ubutumwa kwi Posita:
ADIS, PO Box 126, Mt Lawley, WA 6929
Fax: 9442 5020

Mukeneye abasiguzi canke amahindura muzindi ndimi ndimi, telefone kuri: 131450
Abafise ubumuga bwo kumva canke kuvuga, telefone kuri: 133677 (kubari muri Australia).



Government of **Western Australia**
**Drug and Alcohol Office**



# AMAKURU Y'INFASHANYO Kubijanye N'Inzoga N'Ibiyayura Mutwe

## ALCOHOL AND DRUG INFORMATION SERVICE (ADIS)

## Woba ufise ubwoba kubijanye n'inzoga n'ibiyovyabwenge?

## Vyoba biguteye ingorane?

## Urakeneye amakuru canke infashanyo?

**Hamagara ADIS kuri:**
**9442 5000 canke 1800 198 024**
**telefone ni kuri gusa kubakuye bari muri Australia**

Iyo tuvuze inzoga n'ibiyayura mutwe, wibuke ko hari ubwoko butandukanye b'ibiyovyabwenge **harimwo urumogi, itabi, ibinini n' ishinge zirimwo ibiyovyabwenge, imiti itangwa na Dogiteri (Doctor) canke iva ku mafarumasi,** n'ibindi bishobora gutera ingorane.



## Ib'ibibazo bishobora kugufasha gufata ingingo:

- Hari incuti canke abagenzi boba bamaze kugushwanira canke kukwitwarira bivuye ku nzoga canke ibiyayura mutwe unywa?
- Woba uzindukira kunywa inzoga canke ibiyayura mutwe?
- Woba umaze kunywa inzoga canke ibiyayuramutwe kugira ushobore kwirigwa (kumare umunsi)?
- Woba umaze gukomereka canke gukomeretsa uwundi muntu bitewe n'inzoga canke ibiyayura mutwe?
- Woba unyegeza inzoga canke ibiyayuramutwe umuryango wawe abagenzi kuko wunva isoni, ibimaramare canke ubwoba?
- Inzoga canke ibiyayuramutwe vyoba bikononera ubuzima bwawe, akarorero, umubano m'umuryango wawe, incuti, ku kazi, amahera canke amagara yawe?
- Woba umaze kubura amahera yo gukoresha ivyo ukeneye, nko kugura imfungurwa canke kuriha amabiri (bills), kuko amahera warufise wayamariye mu inzoga canke ibiyayuramutwe?
- Woba umaze kwinjira mungorane n'ubucamanza, canke na Polisi bitewe n'inzoga canke ibiyayuramutwe, akarorero: gutwara imodoka wanyoye inzoga, imyitwarire-inyifato-mibi canke ugahanwa bivuye ku biyayuramutwe?



Nimba wishuye ego kukibazo na kimwe murivyo, ubwo urakeneye kuvugana n'umuntu yogufasha.

## Ukeneye imfashanyo hamagara ubu nyene

Nimba ukeneye uyo mwovugana inzira z'ingene wofashwa, hamagara (ADIS) uronke Inkuru z'Imfashanyo kubijanye n'Inzoga n'Ibiyayuramutwe.

ADIS itanga imfashanyo n'impanuro mwibanga ntangere amasaha 24 kumusi, imisi 7 mw'iyinga. Ntanumwe azomenya ko waterefonye usaba impanuro canke imfanshanyo. **Amakuru yawe ntanumwe azohabwa naho yoba Polisi.**

